# Urwego rujejwe Imfashanyo zo mu rurimi

**Icivugo:** MENYA NEZA: Niba uvuga Icongereza, imfashanyo zo mu rurimi, zitangwa ku buntu, zirahari. Hamagra kuri 1-800-472-2622 (Umurongo wo ku buntu wa ND TTY 1-800-366-6888).

**Insiguro yerekeye kudakumirana:** Ubushikiranganji bujejwe Abantu bwa North Dakota burubahiriza amategeko agenga uburenganzira bw'abantu y'amaleta hamwe n'aya Leta Zunze Ubumwe kandi ntakumirana hisunzwe ubwoko, urukoba, igitsina, imyaka, ubumuga, igihugu yamukamwo, idini, ivyiyumviro vya politike, canke kuba umuntu yubatse canke atubatse canke kuba aronka imfashanyo ahabwa na Leta. Ubushikiranganji bujejwe Abantu bwa North Dakota ntibukumira abantu canke ngo bubafate mu buryo butandukanye kubera ubwoko, urukoba, igitsina, imyaka, ubumuga, igihugu bamukamwo, idini, ivyiyumviro vya politike, canke kubera bubatse canke batubatse canke kubera baronka imfashanyo bahabwa na Leta.

Ubushikranganji bujejwe Abantu muri North Dakota:

- Buratanga ibikoresho vyo gufasha n'imfashanyo vya gusa ku bantu bagendana ubumuga kugira ngo bashobore kuvugana natwe neza, nk'akarorero:
  - o Abasigura ururimi rw'ibimenyetso babifitiye ubushobozi
  - o Ivyandiko biri mu bundi buryo (indome nini zanditse, ibikoresho vyo kwumviriza, uburyo bukoreshwa mu buhinga bwa none, ubundi buryo)
- Buratanga imfashanyo za gusa zo mu ndimi ku bantu Icongereza atari ururimi rwabo, nk'akarorero:
  - Abasigura indimi babifitiye ubushobozi
  - Inyandiko ziri mu zindi ndimi

Niba ukeneye izi mfashanyo, iture Ubushikiranganji bujejwe Abantu bwa North Dakota.

Niba wibaza ko Ubushikiranganji bujejwe Abantu bwa North Dakota bwananiwe gutanga izi mfashanyo canke niba bwarakumiranye mu bundi buryo bwisunze ubwoko, urukoba, igitsina, imyaka, ubumuga, igihugu c'amamuko, idini, ivyiyumviro vya politike, canke kubera umuntu yubatse canke atubatse, canke imfashanyo ahabwa na Leta, ushobora kwitura ubutungane kwa: Civil Rights Officer, North Dakota Department of Human Services, Legal Advisory Unit, 600 E. Boulevard Ave., Dept. 325, Bismarck, ND 58505-0250, terefone yo ku buntu: 1-800-472-2622, Umurongo wo ku buntu wa ND TTY 1-800-366-6888, Fax: 701-328-2173, email: dhslau@nd.gov. Ushobora kwitura ubutungane ku giti cawe canke mu kurungika ikete, fax, canke email. Niba ukeneye gufashwa mu kwitura ubutungane', Umushingwamanza w'Ubushikiranganji bujejwe Abantu aca agufasha. Impapuro buzuza ku murongo ngurukanabumenyi kuri https://apps.nd.gov/itd/recmgmt/rm/stFrm/eforms/Doc/sfn00143.pdf

Ushobora kandi kwitura ubutungane ubicishije mu Bushikiranganji bw'Abantu n'Amagara y'Abantu bwa Leta Zunze Ubumwe za Amerika, Ibiro vy'Umushingwamanza, mu buryo bw'ubuhinga bwa none biciye ku Murongo ujejwe Imanza z'Uburenganzira bw'abantu kuri https://ocrportal.hhs.gov/ocr/portal/lobby.jsf, canke mw'ikete canke ugahamagara kuri:

Ubushikiranganji bujejwe Abantu n'Amagara y'Abantu bwa Leta Zunze Ubumwe za Amerika
200 Independence Avenue, SW
Room 509F, HHH Building
Washington, D.C. 20201
1-800-368-1019, 800-537-7697 (TDD)

Impapuro zo kwuzuza mu kwitura ubutungane ziri kuri http://www.hhs.gov/ocr/office/file/index.html